
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije



# Uruhome Runini Rwa Nehemiya


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Jonathan Hay; Alastair Paterson

Itunganywa na: Mary-Anne S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Ubuperesi, ihanga rikomeye, ryatwara isi. Kandi umwami Aritazeruzi yatwara ubuperesi. Vyatuma aba umutware ahambaye kurusha abandi kw'isi yose. Umwe mubantu bahambaye b'umwami yitwa Nehemiya. Igikorwa ciwe kwari ukwumviriza kumfungurwa z'umwami kugira amukingire aboshobora kumuha uburozi.




Umusi umwe, Nehemiya yari imbere y'umwami yijiriwe mumaso. Umwami ashaka kumenya ibitagenda neza. Nehemiya aramubwira ati: "Mwami wanje, nyaguhora-kungoma!" "Ndabababaye kuko igisagara aho basokuru bacu bahambwe harasambuwe kandi n'amarembo yaho yaraturiwe." Nehemiya yavuga iyerusalemu hari hasambuwe n'intambara mumyaka yaheze.
3
Umwami Aritazeruzi abaza ati: "Ushaka iki?" Nehemiya asaba umwami ati: "Ndekura nje i yerusalemu nje gusubira kuhubaka." Umwami Aritazeruzi aca aravyemera adahigimanze. Aca aha Nehemiya amakete amukingira muri urwo rugendo rwiwe.
4
Umwami yongera kumufasha kandi. Aha Nehemiya ikete ashira Asafu, uwari ajejwe amashamba y'umwami Asafu yari ahawe itegeko ryo guha Nehemiya ibiti vyose azomusaba vyo kugira ngo yubake uruzitiro rw'igisagara.
5
Nehemiya amaze gushika i yerusalemu, aca akoranya abakuru b'igisagara arababwira ati: "Turi mukaga. Igisagara carasambutse n'amarembo yaco yaraturiwe. Dusubire twubake igisagara." Ababwira ko umwami Aritazeruzi yabimwemereye, ikindi kandi, igihambaye cane, kwari uko n'Imana iri k'uruhande rwabo.
6
Ukwizera n'umunezero vya Nehemiya vyarateye umwete abantu. Barabimwemereye baca bavuga bati: "Tugende dusanure igisagara." Nehemiya aca abarira umuryango wose uruhande rw'uruzitiro wategerezwa gusanura.
7
Ariko bose ntibari bemeye ko igisagara cosubira kwubakwa. Umugabo yitwa sanibalati, n'abagenzi biwe Tobiya na Geshemu, ntibari abayuda kandi ntibashaka ko uruzitiro rusubira kwubakwa canke ko amarembo asubira gusanurwa.
8



Mugihe igikorwa cariko kigenda neza, sanibalati aca aterwa n'ishavu ryishi cane. We n'abo bagenzi biwe batwenga abayuda. Tobiya avuga ati: "Nibaheza kwubaka urwo ruhome rwabo rudakomeye, n'imbwebwe imwe iruciyeko ruzoca rusambuka." Nehemiya ntiyamwishura. Aho kumwishura,
asenga Imana ngo ibafashe.
9
Babonye ko ibitutsi vyabo ataco bigize abariko barubaka, baca bategura kurwanya i yerusalemu kugira ngo batume hononekara vyishi gusumba uko vyari biri.
10
Nehemiya asubira gusenga Imana ayisaba ngo ibafashe. Aca ashiraho kandi abarinzi k'umurango no mw'ijoro kugira ngo ntibazoterwe giturumbuka n'abansi.
11
Abayuda barakora cane kandi bari barushe. Bamwe baratinya ko umwansi ashobora kuza akabica mugihe bariko barakora. Nehemiya ntiyahagarika igikorwa. Ashira abarinzi impande zose ahari abariko barakora arongera arabibutsa ko Imana iri k'uruhande rwabo kandi ko Imana ikomeye cane kurusha abansi babo bose!
12
Nehemiya yagerageje kubabera akarorero. Umwami Aritazeruzi yari yamugize umutware i yerusalemu afise n'uburenganzira bwo gusaba ibifungurwa n'amafaranga abantu, ariko ntiyabikoze. Yakora cane arikumwe n'abantu bariko bubaka uruzitiro. Yakoresha amahera yiwe mukugura ibifungurwa.
13
Impera n'imperuka, abantu barahejeje urwo ruzitiro. Hari hasigaye gusa ibikingi bazoshirako imiryango. Sanibalati, tobiya na geshemu bamenye ko atakirengero nakimwe kikiri m'uruzitiro, baca bategura kugirira nabi Nehemiya.
14

Baca barungikira Nehemiya ubutumwa bwo kumutumira ngo bazohurire mukiyaya c'i ono. Ariko Nehemiya yari azi ko ari umutego kugira ngo bamukure mugisagara hanyuma bamugirire nabi. Aca abishura ko atoshobora guta igikorwa ciwe ngo aje kubonana nabo.




15

Uruzitiro bahavuye baruheza kandi Nehemiya aca ashiraho abarinzi kugira ngo barukingire. Aca atanga itegeko kandi ryo kutugurura amarembo izuba



ritaraseruka. Mw'ijoro, amarembo yategerezwa kuba yugaye.

16

Ubu ko igisagara gikingiwe, abayuda beshi bari barahungiye hirya no hino mw'isi baciye bagaruka i Yerusalemu. Nehemiya ategerezwa kuba yaranezerewe cane bamaze guheza igikorwa Imana yari yamuhaye, n'aho yagiye ahura n'intambamyi nyishi. Aca aguma i yerusalemu yigisha abantu kwumvira Imana.



17

Uruhome Runini Rwa Nehemiya

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Nehemiya

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

18

# Iherezo

35 60

19

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

20